**REPUBILIKA Y'U BURUNDI**

**UBUSHIKIRANGANJI BUJEJWE UBUTUNZI, IKIGEGA CA RETA N'ITERAMBERE RISHIMIKIYE K'UBUHINGA BWA NONE**

**IBIRO VY'UMUSHIKIRANGANJI**

# IBIMENYESHEJWE

Ubushikiranganji bujejwe Ubutunzi, ikigega ca Reta n'iterambere rishimikiye k'ubuhinga bwa none buramenyesheje Abarundi n'amakungu ko hariho imbuga ngurukana-makuru zitazwi kandi atarizo, zikoreshwa kw'izina rya Dr Alain NDIKUMANA, Umushikiranganji ajejwe Ubutunzi, ikigega ca Reta n'iterambere rishimikiye k'ubuhinga bwa none.

Izo mbuga hanini zigamije kujuragiza, kwiba hamwe n'ubundi bubisha butandukanye. Ubutumwa buca kuri izo mbuga si ubwo Umushikiranganji Dr Alain NDIKUMANA.

Ubushikiranganji bujejwe Ubutunzi, ikigega ca Reta n'iterambere rishimikiye k'ubuhinga bwa none, burongeye gusaba Abarundi n'amakungu kumera magabo, mukudahendwa n'ubutumwa bucishwa kuri izo mbuga.

Buboneyeho n'akaryo ko kwibutsa kandi ko, uwoba afise ico abaza kubijanye n'ibikorwa birangurirwa mu bushikirangaji yokwishikira mu bushikiranganji canke agakoresha uburyo bwo gutumatumanako amakuru bw'ubwo bushikiranganji nyene : Tél +25777531005, 22226420, finances@finances.gov.bi , ashobora kandi gukurikirana ibikorwa vy'ubushikiranganji aciye ku mbuga za Facebook : Burundi Ministère des Finances ; X : @FinancesBdi na www.finances.gov.bi .

**BIGIRIWE I BUJUMBURA, KU WA 22 NZERO 2026**

REPUBLIQUE DU BURUNDI
CABINET DU MINISTRE
Ministère des Finances, du Budget et de l'Economie Numérique

**IBIRO VY' UMUSHIKIRANGANJI**